Ingene wosigura uko ubona ibijanye n'ukuryamana kw'abasangiye igitsina

Uyu mwimenyerezo uragufasha kumenya uburyo bwiza bwo gusigura uko ubona ibintu.

"Imvugo yanyu yamane igikundiro, . . . kugira ngo mumenye ingene mubwirizwa kwishura umuntu wese."—Abakolosayi 4:6.

1

IMBERE YO KWISHURA, NUMENYE IBI:

Rimwe na rimwe iyo abantu bavuze ko Bibiliya yataye igihe, *ku bwa ngingo* baba bashaka kuvuga ko amategeko ya Bibiliya atandukanye n'uko bo babona ibintu. Uwo muntu muriko murayaga yoba yiyumvira ko amategeko *yose* ya Bibiliya yataye igihe harimwo n'ayo kwirinda kwiba, kurenga ibigo, no kwica? —Abaroma 13:8-10.

Ni ibiki bishobora kuba bituma uwo muntu abona ibintu gutyo?	Ni ibibazo ibihe womubaza kugira umenye neza uko abona ibintu?	Ni ivyanditswe ibihe womwereka?

TEGURA INYISHU

"Amategeko yo muri Bibiliya yarataye igihe!"

"Abantu bamwebamwe ni ko bavuga. Ariko jewe si ko ndabibona kubera . . . "

www.jw.org © 2016 Watch Tower Bible and Tract Society of Pennsylvania

2

“Abaryamana n’abo basangiye igitsina bavuka ari ko bameze, ntibashobora guhinduka.”

IMBERE YO KWISHURA, NUMENYE IBI:

Bibiliya ntiyemeza canke ngo ihakane ko ivyipfuzo vyo kuryamana n’uwo musangiye igitsina ari mvukanwa. Aho rero guharira ku *gituma* umuntu yipfuza kuryamana n’uwo basangiye igitsina niwibande kuri iyo *ngeso ubwayo.*

Niwiyumvire akarorero womuha. Ni izindi ngeso izihe zishobora kuba izigoye cane guheba? Nk’akarorero, mu Migani 29:22 havuga ko hari abantu ‘*bakaza* ishavu kandi *bagakunda* gushangashirwa.’ Mbere intumwa Paulo yarivugiye ubwiwe ati: “Iyo nshatse gukora ikigororotse, ikibi kibana nanje.” (Abaroma 7:21) Twoba dukwiye kwama dushitsa icipfuzo ico ari co cose kitujemwo?

Ni ibiki bishobora kuba bituma uwo muntu abona ibintu gutyo?	Ni ibibazo ibihe womubaza kugira umenye neza uko abona ibintu?	Ni ivyanditswe ibihe womwereka?

TEGURA INYISHU

“Abaryamana n’abo basangiye igitsina bavuka ari ko bameze, ntibashobora guhinduka.”

“Bibiliya ntiyemeza canke ngo ihakane ko ivyipfuzo vyo kuryamana n’uwo musangiye igitsina ari mvukanwa. *Ariko rero,* iravuga ko . . . ”

www.jw.org © 2016 Watch Tower Bible and Tract Society of Pennsylvania

3

“Urakwiye guhindura uko ubona ukuryamana kw’abasangiye igitsina.”

IMBERE YO KWISHURA, NUMENYE IBI:

Ubwo uwo muntu ntiyoba afise incuti canke umugenzi aryamana n’abo basangiye igitsina? Yoba yiyumvira ko igihe wanka *ingeso* umuntu afise bica bituma wanka uwo *muntu?* Yoba *yatahuye* neza uko ubona ukuryamana kw’abasangiye igitsina?

Ikindi: Igihe abantu boba bashaka ko ubona ibintu nk’uko bo babibona, mbega na bo baba bubahiriza ivyiyumviro vy’abandi?

Ni ibiki bishobora kuba bituma uwo muntu abona ibintu gutyo?	Ni ibibazo ibihe womubaza kugira umenye neza uko abona ibintu?	Ni ivyanditswe ibihe womwereka?

TEGURA INYISHU

“Urakwiye guhindura uko ubona ukuryamana kw’abasangiye igitsina.”

“Ndatahura igituma ubona ibintu gutyo. Ariko, . . . ”

Ushaka kumenya vyinshi, raba igitabu *Ibibazo urwaruka rwibaza—Inyishu ngirakamaro,* Igitabu ca 1, ikigabane ca 23 kivuga giti: “Nosigura gute ukuntu Bibiliya ibona ukuryamana kw’abasangiye igitsina?” Ico gitabu kiraboneka kuri www.jw.org. Raba ahavuga ngo IVYASOHOWE > IBITABU N’UDUTABU.

www.jw.org © 2016 Watch Tower Bible and Tract Society of Pennsylvania